**CALL OF DISCIPLES OF JESUS CHRIST**
**Mat. 4:18-22; Mat. 10:2-4.**
Lesson 47
**Memory verse: "*You didn't choose me, but I chose you, and appointed you, that you should go and bear fruit, and that your fruit should remain.*"**
**John 15:16a**

**IHAMAGARWA RY'INTUMWA ZA YESU**

**Mat. 4:18-22; Mat. 10:2-4.**

Icirwa ca 47

Ijambo ngenderwako : « ***Si mwebwe mwantoranije, ariko ni jewe nabatoranije, nabashizeho kugira ngo mugende murama imbuto, kandi ngo imbuto zanyu zigumeho*. » Yoh. 15:16a**

**I. Intangamarara.**

Yesu amaze kuza mw'isi, yafashe umugambi wo gucagura abagabo 12, arabigisha, arabasengera abahindura abigishwa biwe mu kiringo c'imyaka irenga 3. Aba, yabarobanuye mu bandi b'Israyeli benshi, abakura ahantu hatandukanye, mu miryango itandukanye, abahamagara mu buryo butandukanye. Arabegeranya abashira hamwe. Abigisha bimwe, basangira amagorwa n'amahirwe ; nabo baramwemerera gushika no mw'ijoro ryo gufatirwako, bari bakimugendanira. Amaze no kuzuka barabonanye nawe, gushika n'igihe adugirijwe mw'ijuru.

**II. Kwemera umuhamagaro w'Imana.**

Mugitabo ca **Mat. 4:21-22**, haratwigisha ingene abavukana babiri, Simoni yitwa Petero na Andereya, bumvise Yesu abasaba kumukurikira ntibakekeranya baca basiga ivyo bari batunze vyose bo na se wabo baramukurikira. Ikibazo gihari uyu musi, ni uko Imana yama ihamagarira abo ibona nk'abana bayo mu gikorwa icarico cose, ariko bakayankira gose kandi aribo ivuga ko bamenyanye bakaba arinabo vyabona vyiwe, ata n'uwundi bazinanye. soma **Esaya 43:10**. Birumvikana ko n'umuntu yikora ku bakunzi biwe muri vyose.

Ijambo "**Nkurikira"** ni ijambo ryaca ryinjira mu mitima y'uwuribwiwe agahaguruka ata gukekeranya canke ngo arinde kwiyumvira ivyo atunze canke ico azohurira

naco muvyo agiyemwo. Ariko iki gihe ni igihe kibi nkuko Yesu yabivuze. Simoniamaze kwemera umuhamagaro ; Yesu yamuhinduye izina amwita ″**Kefa**″ risobanura **Rock= Petero** ″**ibuye**″. Iri buye niryo Yesu yubakiyeko umuryango w'abakristo kugeza n'ubu. ***Yoh.1 :42***.

**III. Igikorwa c'intumwa za Kristo.**

Amaze guhamagara aba cumi na babiri, yabashize mw'ishure ryo kwigishwa mu kiringo kirenga imyaka itatu. Yesu agakora nabo bakaraba, bakajana nawe mu gikorwa bagakora bakamwitegereza, agera aho abarungika mu gikorwa bonyene bakazana raporo, agera aho abasiga mu gikorwa bonyene ngo bakore ivyo yabigishije vyose.

Amaze kuzuka mu bapfuye, Imbere yuko Yesu asubira mw'ijuru, yabanje kubibutsa igikorwa nyamukuru catumye aza mwisi, guhindura abantu abigishwa ba Kristo bakabigisha kwitondera ivyo yabageze.

Yesu yahinduye abari inzoya mukumenya ukuri 12, nabo bahindura abandi, abo nabo bahindura abandi, gushika kuri wewe ubu uri umwigishwa wa Kristo wúyu musi. None wewe uriko urakora iki kugira uzusige kw'isi abandi ? *wibuke ko Ijambo ry'Imana ryemerera impera bene abo impera ikomeye.* ***N'abashikanye benshi ku bugororotsi bazokwaka nk'inyenyeri.*** **Daniy. 12:3.**

**IV. Gushira mu ngiro**

Imana yaremye umuntu mw'ishusho yayo, nyuma gato, umurwanizi aba atosekaje imigenderanire y'umuntu n'Imana mu kumuteza icaha, ari naco cabaye intandaro y'amakuba yose yakurikiye uruganwe rwose uko rwagiye rukurikirana mw'isi. Urupfu ruba rushikiye umuntu. Kubw'urukundo rw'Imana itanga umwana wayo Yesu Kristo acungura abantu, asubizaho imigenderanire y'umuntu n'Imana mu kumene amaraso yiwe k'umusaraba.

Yaje mw'isi ahindura ababoneka ari imburakimaze abahindura abigishwa n'intumwa biwe. Uwemeye gukurikira Kristo amuha ingabire y'ubugingo budashira ; akazobana nawe mw'ijuru. Harico agusaba ni uko nawe womushingira intahe mu kibano no mu bagenzi bawe.

Niyo utabikora, uzobazwa ubugingo bwawe wongere ubazwe amaraso y'abo bose bazokwaruka mu binjana bizokurikira. Wosenga kugira ubishobozwe.

HALLELUA AMEN